JUMPING FOR JOY
Acts 3:1-10
**Lesson 162**

**IGIHE C'UMUNEZERO**
**Icirwa c'i 162**
Ivvakozwe n'intumwa **3:1-10**
Ijambo ngenderwako : « *Ngo ivyavugishijwe n'umuvugishwa n'Imana Yesaya biboneke, ngo ubwiwe ni we yatwara ubumuga bwacu, akikorera n'indwara zacu* » Matayo **8:17**

## I. Intangamarara

Intumwa bamaze guhabwa ububasha bwa Mpwemu yera, bashishikaye gukora igikorwa nk'uko Umwami yabibageza. Uyu muntu yagendana ubumuga kugeza aho bama bamuteruye, bakamuzana ku rusengero kugira asege abinjira. Kubera Urukundo rw'Imana, yakiriye igitanza uyu musi akorewe n'intumwa mw'izimna rya Yesu Kristo.

## II. Igisabo c'uyu agendana ubumuga.

Abantu baja mu rusengero ngo basenge Imana, bayihimbaze, bumve ijambo ryayo, basengerwe ku mitwaro, bongerwe inkomezi, bazoshobore kuzoshika amahoro mu gihugu co mw'ijuru. Uyu wewe intumbero yiwe ntiyari iyo. Kwari ugusega amahera abaza gusenga. Ariko Imana yo Rukundo, irazi ico akeneye gusumba ico asaba. Mu buzima bwo mw'isi, abantu bahawe akaryo ko gusega, batangurira kuvyokurya, inzu, impuzu. Ibi navyo wobironka ufise amahera. **Umusiguzi 10 :19** « *Ariko amahera ni inyishu kuri vyose ».* Biraboneka ko kuronka amahera ari vyiza naho hari ivyo adashobora gutorera umuti. Mu buzima bw'abantu, ibintu bibiri nivyo bishobora gutanga inyishu bibazo vyose : **Imana n'amahera.** Iyo udafise Imana, ntube ufise amahera, uba ubayeho nabi. Abakjijwe naho bobura amahera, bakaba bafise Umwami Yesu mu mitima, barabaho neza.

## III. Igitangaza co gukira cakozwe na yohana na Petero.

Ubu bumuga bw'uyu muntu ntibwatewe n'isanganya. Ni ubwo yavukanye. Bamufata ukuboko, arahaguruka, arakira. Ibitangaza bene ibi vyakorwa n'intumwa. Muri iki gihe birashoboka ariko, ni ingabirano ihabwa umuntu yigombeye. Ntiwohora witeze ko uwizera wese yakoreshwa nk'ibi. Abavugabutumwa n'abavugishwa bamwe bamwe barabifatirako mu guhenda abantu ngo bategerezwa kubakorera ibitangaza. Ntutegerezwa kubizera kubera ibitangaza. Bamwe muri bo, barasenga bakatura izina rya Yesu, ari bariko bakoreshwa n'impwemu mbi za Satani. **II Korinto 11:14** *« kandi ivyo ntibibatangaze, kuko na Satani yigira umumarayika w'umuco* »

Birashoboka ko uwizeye arwara, yasengerwa ntakire, Tirofimo yararwaye, arapfa kandi agendana na Pawulo. **2 Timoteyo 4:20** : « *Erasito yagumye i Korinto, ariko Tirofimu namusize i mileto arwaye.* »

Timoteyo yari umwigishwa wa Pawulo ariko amwemerera kunywa umuvinyu muke kubera arwaye umushishito. Wokwibaza igituma atabakijije. Uwakijijwe arashobora gusengera uwurwaye, agakira. Nta buhinga bw'uwusenga canke uwusengerwa, ugukira ni imbabazi z'Umwami Yesu. Nico gituma igihe ukize inrwara, ukwiye guhagarara mw'ishengero ugashima kuko uzosanga Imana igukijije ngo izina ryayo ryubahwe. Soma **Abaheburayo 2:3-4**

Uyu amugaye yaciye ava hasi atambuka. Ababibonye bashobora kuba baratangaye, abazi kuvumera bakasemerera bati : "Halleluaaaa!" canke "Yeeehaa!" birafata imyaka ibiri kugira

umwana atangure kugenda. Bisaba igihe kirekire kugira umuntu ashobore kwiruka no gusimba. Uyu, yakijijwe n'Imana, aca ahaguruka ubwo nyene. Kuki ?

## IV. Gushira mu ngiro

Uyu, yari yamugaye ibirenge, ariko, hari abagendana ubumuga bwo mu mutima. Bama ari gukekeranya ijambo ry'Imana, batonda mu rusengero iyo baronse akanya gusa, amaso yabo abona ivyo mw'isi gusa bigatuma batemera no gukorera Imana mu vyabo, iyo basenga Imana, basega ifeza n'izahabu gusa ivyo ubugingo budashira ntakibanza bifise mu mitima yabo, n'ibindi.

Ehe raba ab'isi bose baborejwe n'inyota y'Ifeza, izahabu, icubahiro, kuba rurangiranwa, bazorinda bava mw'isi, batarashira iyi nzara n'inyota. Hari n'abama mu rusengero bameze nk'uyu, abandi bazindurwa no kurondera agakiza kava ku Mana, nawe akibaza angahe ndabakuramwo. Ninde yokumara iyi nyota, akagukiza ubu bumuga ? Matayo yanditse ngo : *Ubwiwe ni we yatwara ubumuga bwacu, akikorera n'indwara zacu*. Ni wizere ivy'iri jambo.

Vyoshika ukaba wumva hari aho wamugariye, wohaguruka akagukiza iyo nyota y'ivy'isi akagukiza n'ubumuga bwose.

| |
|---|
| **COPSILENCE!**<br>Acts 4 :12<br>**Lesson  163** |

## NTITWOHORA ICIZA TWABONYE

**Icirwa c'i 163**

**Ivyakozwe n'intumwa 4:1-12**

Ijambo ngenderwako : « *Kandi nta wundi agakiza kabonerwamwo, kuko ata rindi zina munsi y'ijuru ryahawe abantu dukwiye gukirizwamwo* » **Ivyakozwe n'intumwa 4:12**

### I.  Intangamara

Yesu yaravutse, Herodi n'abiwe barababara, bituma bica abana b'abahungu bo mu ruganwe rwiwe. Amaze gukura, abaherezi n'abafarizayo, abasadukayo, abanyabwenge b'ivyanditswe bababazwa n'inyigisho ziwe, baramwica. Amaze gusubira mw'ijuru, abigishwa biwe

barahamwa, benshi baricwa urupfu rubi. Abigishwa biwe b'uyu musi nabo ntiborohewe mu gikorwa yabasigaranye. Nico catumye Yesu avuga ngo ko banyanse namwe bazobanka.

Iyi nkuru yerekana abaherezi bazanana n'abasadukayo gufata Petero na Yohana. Ntibari bababajwe gusa n'uko inkuru yo gukiza uwanyogomba ikwiye i Yerusalemu hose, ari icabacumita mu mitima ni uko bigisha abantu, bababarira yuko ukuzuka kw'abapfuye kwabonetse kuri Yesu. Barababafata, babashira mw'ibohero, bukeye babashira mu rubanza. Naho hari abantu batarambirwa no kuburana, burya kwamiza ibirenge mu ntahe, birakomeretsa umutima. Intumwa nirwo rugamba bagiye guhoramwo.

## II. Abasadukayo ni bande ?

Abasadukayo wari umurwi umwe wo mu Baheburayo, bakaba ari abatunzi cane. Abaherezi batorwa muri bo ; barakorana hafi n'abatware b'Abaroma baganza Isirayeli muri ico gihe. Batonda mu rusengero neza ariko bakaba abanyepolitike. Mu kwizera kwabo, bahakana ibintu bitatu :

1. Ibitangaza vyakozwe na Mpwemu Yera;
2. Ukubaho kwa Mpwemu Yera n'abamarayika ;
3. Ukuzuka kw'abapfuye.

Kuba Petero na Yohana bakoreshejwe igitangaza, bagakiza uwagenda anyogomba, vyacumise inkota mu migenzo yabo. Bahagurukana ububasha bahabwa n'ibibaza bafise muri politike, barababafata, babata mw'ibohero. Mu gihe uba warakijijwe, biragusaba kuvavanura n'imigenzo y'igisokuru, ukamatana n'inzira y'umuco.

## III. Intahe y'icese.

**Soma 4:5-7** Uravye aba bagabo b'abatunzi kandi abanyabwenge bari bakoranye, bagata hagati Petero na Yohani ; wohava ukagira ubwoba. Anasi, umuherezi mukuru niwe mukuru w'intahe niwe, yabajije n'iterabwoba ryinshi ikibazo ca mbere : « *Ni ubushobozi canke izina ki, vyabateye gukora ibi bintu ?* » Kuba uyu muherezi yasengewe, yambaye ya imyambaro yabo, adatahura ibi, ni ivyerekana ko ataco yarusha mu kwizera abo banyepolitike bari kumwe nawe. *Nico gituma Yesu ahanura ati : « Ariko ukugororoka kwanyu ni kutaruta ukw'abahinga b'ivyanditse, n'uko Abafarisayo, mutazoruha mwinjira mu bwami bwo mw'ijuru* » **Matayo 5:20.**
Gutahura urukundo n'inkomezi z'Imana, ntibivana n'imyaka umaze mw'ishengero canke icicaro wahawe. Ushobora gutangara ubonye uwo wibaza ko wohanuza ivy'amabanga y'ijuru, ariwe agukoreye icaha n'ab'isi batogukorera. Iki nico catumye Yesu avuga ngo : « *Mwizere Imana, nanje munyizere* » **Yohana 14 :1.** Abantu barahinduka.

## IV. Petero ashira hejuru izina ry'Umwami Yesu

Mu kwisigura kwiwe, Petero yokoresheje amajamba abacumita mu mitima imbere y'abo batwara. « *Uwo mwebwe mwabamvye. Uwo niwe buye mwebwe abubatsi mwatituye* » Imbere y'ishengero rirenga ibihumbi bitanu, aba batware babonetse aribo bariko icaha kibi. Bari bakwiye guhanwa. Niho babuze ico bavuga, babazanya bati « *Mbega aba bantu tubagire dute ?* » **soma 4:14-22**

Muri iyi ntahe y'icese, aba bagabo bari abagiriza bakaba n'abacamanza. None biboneka batsinzwe. Bafata ingingo yo kubihanikiriza ngo ntibagerageze na gatoya kuvuga canke kwigisha mw'izina rya Yesu. Petero na Yohana bati : « *Kuko twebwe tudashobora kureka kuvuga ivyo twabonye n'ivyo twumvise* » birashoboka ko abantu bari aho baciye bakoma amashi cane. Icubahiro c'Ima gishirwa hejuru.

## V. Izina twahawe.

**4:12** « Kandi *nta wundi agakiza kabonerwamwo, kuko ata rindi zina munsi y'ijuru ryahawe abantu dukwiye gukirizwamwo*. » Iyi yari inkuru nziza kubari mw'isi bose, nico gituma Petero na Yohana batari kumvira aba bantu. Iyi nkuru idutahuza ko :

1. Agakiza k'ukuri kabonerwa muri Yesu gusa ;
2. Amahoro, umunezero, ugukira inrwara, .. ivyiza vyose bibonerwa muri iri zina ryonyene. Nta rindi munsi yijuru.
3. Icubahiro c'abakuru b'idini, kiramanutse, izina ry'uwo banse rishizwe hejuru mu b'Isirayeri no mubari mw'isi bose.

## VI. Gushira mu ngiro.

Vyoshoboka ko hari aho wagize isoni zo gushingira intahe Yesu ukamwihakana, umve uko yavuze : « *Ariko umuntu azonyihakanira imbere y'abantu, nanje nzomwihakana imbere ya Data wa mw'ijuru*. » **Matayo 10:33** ibi bikubayeko, wogira ubumaramare busumba ubwo aba banyabwenge bagize bamamramajwe n'intumwa.

Kugira ngo ushire ubwoba nka Petero, urakeneye :
1. kwizera ko Yesu Kristo ari muzima kugera n'uyu musi. Niko uvyizera ?
2. Kwizera ko Yesu ariryo zina rimwe agakiza kabonerwamwo, ariwe nzira imwe ijana mw'ijuru kuko ukuzuka kw'abapfuye kubonerwa muri we ;
3. Ukeneye gufata ingingo yo kwegurira Yesu ubuzima bwawe bwose muri vyose.
4. Urakeneye guhamagara izina rya Yesu mu gihe c'ibibazo, ukamushingira intahe imbere y'abataramumenya.

Izi ngingo zine warazishize mu ngiro ? Ushobora kuba hari ico ugihajije.
Wahaguruka ugasenga, iri zina ni iryo kwizigirwa, Yesu arakugirira neza.

## UBUMWE BWATOSEKAYE.

**Icirwa c'i 164**
Ivyakozwe n'intumwa 4**:23-31**

**Ijambo ngenderwako ; «** *Yamaze imyaka mirongo umunani n'ine ari umupfakazi, ntiyava mu rusengero gusenga, yisonzesha, yinginga, ku murango no mw'ijoro* **» Luka 2:37**

## I. Intsinzi mu gusenga.

Igikorwa co gukiza uwumugaye cakozwe na Petero na Yohana mw'izina rya Yesu, catumye ababahama biyongera. Ibi bica bituma intumwa zafata umwanya wo gusenga bikwiye. Hari ibintu bitatu vyerekana aya masengesho yakozwe n'intumwa :

1. Iri sengesho barikoze n'umutima uhuye, rigangurwa n'ukwerekana ubushobozi bw'Imana muvyo yaremye. *« Databuja, ni wewe waremye ijuru n'isi, n'ikiyaga n'ibirimwo* » Uravye ikibazo bari bafise, wokwibaza ko aya majambo atariyo bari gutanguza isengesho. Mu gihe uriko urahura n'ibibazo biguca intege, nico gihe co kubwira Imana ubukuru bwayo, ukayibutsa ivyiza yagukoreye. Ibi bituma utabura inyishu.

2. Aba binginzi, bibukije Imana amasezerano bafitaniye. « *Kandi wavugiye mu kanwa ka sogokuruza Dawidi, umusavyi wawe, ubivugisha Mpwemu Yera uti* :… » Nkuko usanzwe uri Umwana w'Imana, ni vyiza ko wibikako amajambo y'isezerano nk'uko ryanditswe mw'ijambo ryayo. Bamaze gusenga uko, babona kwereka Imana umutwar« ***Gusaba kurinduka*** »

3. Ukwiyerekana kw'Imana. Umurongo wa 31 « *Bahejeje gusenga, aho bakoraniye haratigita, bose buzuzwa Mpwemu Yera, bavuga ijambo ry'Imana bashize amazinda.* » ibi bimenyetso vyabaye, vyari bifise insiguro kuri iri shengero rishasha ritari bwatahure ugukora kwa Mpwemu Yera. Vyasigura ko Imana ibabwiye ngo : *« Muriko murasenga neza, kandi nabumviye*. »

## II. Ubumwe bw'abakristo ba mbere.

**Soma 4:32-35** Wihweje neza ubu bumwe bw'ishengero rya mbere, urasanga tutihenze mu guha iki cirwa umutwe uvuga ngo : Ubumwe bw'ishengero ry'ubu bwaratosekaye.

Aba bakristo b'ishengero rya mbere bari babayeho mu buryo butari bumenyerewe :

- Bari bafise umutima uhuye ;
- Basangira ivyo umwe wese atunze, nta satuntu twanje ;
- Intumwa 12 bashishikara gusenga no kuvuga ijambo ry'Imana ;
- Nta mukene yari muri bo
- Bakorera Imana muvyo batunze, bakabishikana ku birenge vy'intumwa.

Aka karanga keza k'ishengero, karagenda kagashika no mu ngo z'abizera. Ugasanga umugore n'umugabo n'abana babo babayeho nk'abari mu ngoro y'Imana. Iki nico catuma abenshi bava iwabo bakaza kwifatanya na bo mu kwizera Yesu Kristo.

## III. Uburongozi bwo mw'ishengero rya mbere.

Aho baba bakoraniye hose, abarongozi bari intumwa cumi na babiri. Kuko bari bahuje umutima, ntawivuga ngo ''JEWE'' umwe wese yarubahiriza mugenzi we mu gikorwa ajejwe. Abakijijwe, ntaho bicara ngo bandonde amazimwe ku barongozi babo, nabo bakabasengera umugisha arico catumye baba abatunzi bose. Umubano mubi mu rugo canke mw'ishengero, uratuma ubukene, amagorwa, inrwara, ivyago, biharonka icicaro, Satani akaba abafashe.

Harashinzwe abadiyakoni. Aba, bari bajejwe igikorwa co gukurikirana abarongozi n'abizeye uko babayeho. Bagatunganya ibikorwa vy'ubutunzi neza.

## IV. Ibikorwa vya Barunaba.

**Soma 4:36-37** Ishengero ry'i Yerusalemu ryari ryuzuye umunezero n'ibikorwa vy'urukundo. Amaze gukora iki gikorwa ciza, Yosefu, intumwa zimutazira Barunaba, risigura Umwana wo guhanura. Iri tazirano ryavanye n'ubwizigirwa yerekana mu gutera intege igikorwa c'Imana. Yatanga ivyiwe n'umutima ukunze akabishira ku birenge vy'intumwa.. Vyasigura ngo ndambitse hasi, sinkikeneye kumenya ingene bizokoreshwa. Ikindi ni uko ataca aja mw'ishengero ngo abamenyeshe ko ari umukozi mwiza. Yarakunda no gusenga.

Igituma ishengero ry'ubu ryatosekaye, n'uwugize ico atanze mw'ishengero, asaba ko amenshwa ingene cakoreshejwe n'abarongozi ; atabisiguriwe, afata ingingoyo kurivamwo. **2 Abami 12:15** : « *Kandi abo bantu bahabwa ayo mahera yo guhemba abakozi, ntibarinda kuyasuzumirwa, kuko bakora ari abizigirwa*. »

Yosefu atazirwa Barunaba. Mu rugo, umugabo canke umugore yama afise itazirano ryiza canke ribi yahaye uwo babana naho atorivugira hejuru. Biravana n'ingene babanye. Nico kimwe no mw'ishengero. Wibaza ko uwo mubana yagutaziye nde ?

## V. Gushira mu ngiro.

Intumwa ko ari cumi na babiri, babaye abizigirwa bagakunda ukuri, bagashira imbere gusenga no kwigisha ijambo ry'Imana. Batanguye ishengero rya Yesu Kristo bitaboroheye, ntibacika intege, bakama barasenga. Babaye nka Ana *Yamaze imyaka mirongo umunani n'ine ari umupfakazi, ntiyava mu rusengero gusenga, yisonzesha, yinginga, ku murango no mw'ijoro*. Gushika yiboneye ukuvuka kwa Yesu Kristo, bamuzanye mu rusengero, akamukikira, akamuvugako. Naho ubumwe bwatosekaye, ni wirabe ku ruhande rawe ko ugihagaze neza. Bitari uko, uhaguruke usenge, Imana irakongera inkomezi urushirize na Barunaba.